What do I need to know if my child gets a formal caution?

Parent/carer information

# Ni ibiki nkwiye kumenya umwana wanje ahawe Urwandiko rw'ukugabishwa?

## Ibimenyeshejwe Umuvyeyi/umurezi

### Ukugabishwa guhagarikwa biciye mu nyandiko kubera ingeso iteye amakenga ni iki?

Inyifato iteye amakenga ni ikintu umuntu akora coteza canke cateje ingorane canke impanuka kuri we canke ku bandi. Urwandiko rw'ukugabishwa rumenyesha umunyeshuri yuko ingeso yiwe yateje canke yoteza impanuka wé n'abandi, canke ko ibangamiye ukwigisha n'ukwiga. Rukumenyesha mwe n'umwana wawe yuko iyo ngeso yiwe ikwiriye guhinduka.

Ukugabishwa kwanditswe ni icete kirimwo ingeso y'umwana wawe iteye amakenga. Umwana wawe ntazohagarikwa muri iki gihe.

### Haba iki iyo umwana wanje agabishijwe biciye mu nyandiko?

Ishure rizovugana n'umwana wawe, amusobanurire urwo rwandiko rw'ukugabishwa. Umuyobozi azoguha ikopi yanditse y'urwandiko rw'ukugabishwa.

Intumbero y'urwandiko rw'ukugabishwa ni uguha umwana wawe umwanya wo gutahura ingaruka y'ingeso yiwe kandi bakemezanya ku nteguro y'ukumushigikira kugira ngo ashobore guhindura. Ishuri rizoguha akaryo mwe n'umwana wawe ko kubonana namwe kugira ngo muvugane kuri iyo ngeso, mutegurire hamwe canke mwihweze imfashanyo umwana wawe akeneye.

Urashobora kuzana umuntu agushigikira mu nama iyo ari yo yose iguhuje n'abarongoye ishure.

Urwandiko rw'ukugabisha rumara imisi 50 y'ivyigwa. Muri ico gihe, umwana wawe arashobora guhagarikwa mu gihe ya ngeso yongeye kwibonekeza.

### Nokora iki iyo umwana wanje aronse ukugabishwa guciye mu nyandiko?

Hafi nk'abana bose barakora ibintu biciye kubiri n'amategeko y'ishuri canke canke K'ungeso Yemewe ku banyeshuri. Rimwe na rimwe, iyo ivyo bishitse, ukugabishwa biciye mu nyandiko kurahabwa umunyeshuri. Izindi nkuru zerekeranye n'ivyo ushobora gukora iyo umwana wawe yinjiye mu ngorane kw'ishuri birahari.

Iyo umwana wawe ahawe ukugabishwa biciye mu nyandiko, ivyo bisigura yuko hariho ingeso ikwiriye kurabirwa no gukwirikiranirwa hagufi. Gusezerana kwishuri ningirakamaro cane mugucunga imyitwarire yumwana wawe no guteza imbere ibisubizo hamwe. Vugana n'umuyobozi w'ishuri ku bijanye n'ukugabishwa biciye mu nyandiko kandi ukorane n'umurwi w'ugushigikira umana wawe kugira ngo atorere umuti urama iyo ngeso yiwe ashobore guhindura.

### Iyo ngeso yongeye kwaduka vyogenda gute?

Iyo iyo ngeso iteye uruhagarara yongeye kwaduka mu misi 50 y'ishuri ikwirikiye ukugabishwa kwa mbere kwaciye mu nyandiko, umuyobozi atashobora guhitamwo guhagarika umwana wawe. Ingingo y'uguhagarika umwana wawe izobaho igihe conyene umuyobozi aravye ingeso z'uwo mwana, hamwe n'ivyo uwo mwana akeneye hamwe n'abandi bana. Inkuru zerekeranye n'uguhagarika umunyeshuri ziriho.

### Nokora iki nimba hari amakenga noba ngifise?

Nimba ufise amakenga ku bijanye n'ukwiga kw'umwana wawe, ingeso yiwe canke ukumererwa neza kwiwe kw'ishuri, ahantu ha mbere heza ho guhera kuronderera ni ukuvugana n'umwigisha, uwufasha umuyobozi canke uwungirije umuyobozi. Ibibazo vyinshi bishobora gutorerwa umuti biciye mu kuvugana n'abantu bazi umwana wawe hamwe n'ibiriko biraba.

Rimwe na rimwe hari aho ushobora gukenera kuvugana n'uwundi muntu. Ishuri ryawe rirashobora kuguha umuntu ashobora kuguha inkuru zerekeranye n'ibiro bijejwe indero vyo mu karere ubamwo bishobora kugufasha. Vyongeye urakwiriye kwiyumvira kuvugana n'umuganga w'umwana wawe nimba wibaza yuko bishobora kuba vyavanye n'uko arwaye ingwara kanaka yateje urwo ruhagarara.

Hariho izindi nkuru zerekeye ukuvugira umwana wawe, co kimwe n'Amasezerano Agenga Ishure n'Ikibano yerekana amahitamwo y'uguhana amakuru n'amashure. Ronderera kuri:

### Ni amakuru ayahe nohabwa n'Ishure?

Ushobora kubaza ishure ayandi makuru yerekeye ivyabaye n'imvo. Ishure rishobora kugusobanurira imvo zatumye ingingo kanaka zifatwa, ibizokorwa n'ivyo wokora mu gihe woshikirwa n'ingorane.

### Ibikorwa vyo gusobanura mu rundi rurimi

Nimba wipfuza gushikira ishuri kandi ukaba ukeneye imfashanyo y'uwugusobanurira mu rurimi rw'Ikingereza, usabwe guhamagara ibikorwa vyo gusobanura kuri Telephone kuri 131 450, ubabarire ururimi ushaka kandi uce usaba umuntu ari kuri iyo mashini ahamagare ishuri. Uwo ari kuri iyo telephone azoca akuronderera umusobanuzi ku murongo agufasha muri ico kiganiro. Nta mahera uzorihishwa kuri uwo yagufashije gusobanura mu rundi rurimi.